**REPUBLIQUE DU BURUNDI**

PRESIDENCE DE LA REPUBLIQUE
Secrétariat Général de l'Etat

# ITANGAZO RY'INAMA Y'ABASHIKIRANGANJI N°24 YO KU WA GATATU IGENEKEREZO RYA 25 MYANDAGARO 2021

Inama y'Abashikiranganji yarakoranye kuri uyu wa Gatatu igenekerezo rya 25 Myandagaro 2021, irongowe na Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, Jenerari Majoro Varisito NDAYISHIMIYE.

Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu ahejeje gushikiriza urutonde rw'ivyihwezwa muri iyo nama, yaciye aha umwanya Nyakwubahwa Umushikiranganji wa Mbere ngo ashikirize ivyavuye mu nama nteguza y'iyo nama nshikiranganji, yarongoye kw'igenekerezo rya 23 Myandagaro 2021, ivyihwejwe navyo bikaba ari ivyari ku rutonde rw'ivyigwa.

Umushikiranganji wa Mbere ahejeje gushikiriza icegeranyo Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, ivyihwejwe ni ibi bikurikira:

1. **Integuro y'itegeko rishinga imirimo rikongera rigatunganya ubunyamabanga ntayegayezwa bw'Inama nkuru y'ubucamanza,** yashikirijwe n'Umushikiranganji w'ubutungane.

Ibwirizwa shingiro rya Repuburika y'Uburundi riritegekanya urwego rwo mu butungane rwitwa « Inama nkuru y'ubucamanza » irongowe na Nyenicubahiro Umukuru w'igihugu kuko ari we Mucamanza mukuru.

Imirimo y'urwo rwego iratomorwa n'ibwirizwa n°1/02 ryo ku wa 23 Nzero 2021 rihindura ibwirizwa n°1/13 ryo ku wa 12 Ruheshi 2019 ritunganya Inama Nkuru y'ubucamanza.
Iryo bwirizwa riritegekanya ubunyamabanga ntayegayezwa bujejwe gufasha iyo Nama nkuru y'ubucamanza.

Itegeko n°100/063 ryo ku wa 22 Nyakanga 2020 ritunganya gushasha ibisata vyo mu Biro vy'umukuru w'Igihugu rishira ubwo bunyamabanga mu bisata bikukira ivyo Biro.

Iyi nteguro ije kwerekana ingene ubwo bunyamabanga ntayegayezwa butunganijwe n'ingene bukora.

Umunyamabanga ntayegayezwa niwe azoba akurikiranira hafi ibikorwa vy'ubunyamabanga bukuru bw'amasentare n'ubunyamabanga bukuru bw'amaparaki.

Abakozi bakuru bo muri ubwo bunyamabanga bari mu bisata bitatu : kimwe kikaba kijejwe gukurikirana ko ubucamanza bukora neza no kurwanya ukudahana, ikindi kikaba kijejwe gukurirana inyifato y'abacamanza n'ingene batera imbere mu kazi, be n'ikijejwe ivy'intwaro n'ibigega.

Umunyamabanga ntayegayezwa akukira Umukuru w'igihugu.

Inama nshikiranganji imaze guhanahana ivyiyumviro kuri iyo nteguro, yarayemeje, bimwe mu vyo yashikirije bikaba ari ibi bikurikira:

- Hotegurwa urwandiko rwerekana imvo n'imvano y'iyi nteguro y'itegeko
- Ingingo zivuga ibisa zoja hamwe;
- Kwerekana neza igihe Inama nkuru y'ubucamanza itangura kwiturwa mu bijanye n'ingingo za Sentare kuko yoyo iturwa ingingo zitakigira iyungururizo;
- Gutomora ko Ubunyamabanga ntayegayezwa budashikiriza ivyiyumviro Reta ariko bubishikiriza Inama Nkuru y'Ubutungane.

Abashikiranganji bajejwe ubutungane, indero n'intwaro yo hagati mu gihugu bazofasha mu gutosora neza iyi nteguro imbere y'uko ishirwako umukono na Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu.

2. **Intenguro y'itegeko nshikiranganji ryerekana ingene uburere bukingiwe butunganywa n'ingene bukoreshwa,** yashikirijwe n'umushikiranganji ajejwe ibidukikije, uburimyi n'ubworozi.

Uburere bukingiwe bwarashizweho, ariko itunganywa n'ikoreshwa ryabwo ntibiha ikibanza gikwiye ababa mu micungararo yabwo, ivyo bigaca bituma havuka amatati.

Ivyo biri uko mu gihe ababa mu micungararo y'utwo turere ari bo ba mbere badukenera cane mukuronderayo vyinshi baba bakeneye, aha twovuga nk'inkwi imiti kama, n'ibindi vyo gufungura.

Ikurikiranwa ry'ingene ubwo burere butunganijwe n'ingene bukoreshwa rirabwa n'Ikigo kijejwe gukingira ibidukikije, ariko nticovyishoboza co nyene

kitabifashijwemwo n'abo bose vyega, aho twovuga nk'abajejwe intwaro, ababa mu micungararo y'utwo turere, n'abandi..

Mu ntumbero yo gutorera umuti utugorane twagiye turigaragaza, ibwirizwa n°1/10 ryo ku wa 30 Ntwarante 2011 rishinga uturere dukingiwe rirerekana ingene abo vyega bose bafasha mw'itunganywa n'ikoreshwa neza ry'utwo turere, twaba utuhari ubu canke utuzoshingwa. Rirategekanya ko hashingwa amakomite ajejwe gufasha mu karere kose gakingiwe.

Ariko uturere tumwe tumwe ntidufise ayo makomite, ndetse n'aho yitwa ko ari ntashirwaho kumwe kandi ntatunganijwe kumwe.

Iyi nteguro ije kwerekana ingene utwo turere dutegezwa gutunganywa n'ingene dukoreshwa, abo vyega bose babifashijemwo. Irategekanya komite ifasha muri iryo tunganywa, nayo ikaba igizwe n'abakozi bo mu Kigo kijejwe gukingira ibidukikije, abajejwe intwaro n'abatorwa mu baba mu micungararo y'utwo turere.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, yarayemeje mu vyo yashikirije hakaba harimwo ibi bikurikira:

- Kudakoresha ijambo « abasangwabutaka » kuko ryohava ritahurika ukutariko kandi risa n'uko hari abo rikumira ;
- Gutomora ko igisata kijejwe gukurikirana uburere bukingiwe ari Ikigo c'igihugu kijejwe gukingira ibidukikije « OBPE » mu rurimi rw'Igifaransa ;
- Gukoresha ijambo « Gukingira uturere » aho gukoresha ijambo « Kubungabunga » ryohava ritahurwa ukutariko.

3. **Integuro y'itegeko nshikiranganji rigenga ikoreshwa ry'ibinyabuzima biba mu turere dukingiwe canke amashamba kama,** yashikirijwe n'umushikiranganji ajejwe ibidukikije, uburimyi n'ubworozi.

Muri ibi bihe, ntawokekeranya ko ikingirwa ry'ibinyabuzima ridafatiye ku nyungu canke ivyo ababa mu micungararo y'ako karere canke iryo shamba baba bakeneye ataho ryoshika.

Nkako, kenshi usanga utwo turere dukingiwe canke ayo mashamba vyashizweho abahaba babanje kwimurwa.

Ikibazo kihari rero ni kuraba ingene uburenganzira bari bafise kuvyo basoroma muri utwo turere canke ayo mashamba bwogumaho kandi nabwo nyene bukongera bugakingirwa.

Ibwirizwa n°1/10 ryo ku wa 30 Ntwarante 2011 rishinga uturere dukingiwe riremeza ubwo burenganzira bw'abo bantu ariko rigategekanya ko hajaho itegeko

ribitomora neza rifatiye kuvyo abo bantu baba mu micungararo y'utwo turere n'ayo mashamba baba bakenera, be n'ivyo binyabuzima biba bisanzwe bihari.

Iyi nteguro irerekana ingingo ngenderwako ry'ikoreshwa ry'ivyo binyabuzima, ibisabwa kugirango umuntu aronke uburenganzira bwo kuvyikorako, ibikoresho bikenerwa, n'ingene bisuzumwa, n'ibindi…

Inama nshikiranganji imaze guhanahana ivyiyumviro kuri iyo nteguro, yarayemeje mu vyashikirijwe hakaba harimwo ibi bikurikira :

- Gukuramwo ibijanye n'ibigiye gukoreshwa mu vy'ubushakashatsi ku bijanye n'uko uwukuye ibinyabuzima mu turere dukingiwe canke mu mashamba cimeza hari co ategerezwa kurihishwa, ;
- Gutegekanya ikibanza gitandakanya akarere gakingiwe n'ibindi bibanza, gishobora gukorerwamwo imirimo itandukanye ;
- Gushira ku rutonde ibinyabuzima vyose iri tegeko ryerekeye kandi amazina yavyo akandikwa mu Kirundi ;
- Gutomora ko inzandiko mperekeza z'iri tegeko nazo nyene zifatwa nk'iziri muri iri tegeko.

4. **Integuro y'itegeko nshikiranganji ritunganya ikoreshwa ry'ubwoko bw'ivyatsi bituruka hanze y'igihugu birandagata bikaniga ibindi,** yashikirijwe n'umushikiranganji ajejwe ibidukikije, uburimyi n'ubworozi.

Ivyatsi birandagata bikaniga ibindi birabagamiye cane ibinyabuzima.
Ivyo birafise ingaruka ku vyatsi kama vyo ngaha iwacu no k'ukugene ibibanza mparirwabuzima bikora.

Ivyo vyatsi biva hanze birandagata birashobora no kugira ingaruka mbi ku magara y'abantu no ku butunzi.

Kubera mwen'ivyo vyatsi bishobora kwinjizwa mu Burundi umwanya uw'ariwo wose, kandi ibisanzwe biri mu gihugu navyo bikaba bigwirirana cane, ingingo zihuta zitegerezwa gufatwa kugirango iryo randagata ryavyo rihagarare.

Ibwirizwa n°1/10 ryo ku wa 30 Ntwarante 2011 rishinga uturere dukingiwe ritegekanya ko ubushikiranganji bujejwe gukingira ibidukikije bufata ingingo zikenewe mu kubuza iyinjizwa mu gihugu ry'ivyatsi canke ibiterwa bibangamira ibibanza mparirwabuzima be n'ibidukikije.

Iyi nteguro ije gushira mu ngiro ibitegekanijwe n'iryo bwirizwa.
Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, yarayemeje, ica isaba ko urutonde rwa mwen''ivyo vyatsi canke ibiterwa biva hanze rwohinyanyurwa

neza, umushikiranganji ajejwe indero abifashijemwo, ndetse rukandikwa no mu rurimi rw'Ikirundi.

5. **Urupapuro rw'amasezerano y'umwumvikano hagati y'ubushikiranganji bw'amagara y'abantu bwo mu gihugu c'Uburusiya n'ubushikiranganji bw'amagara y'abantu no kurwanya Sida bwa Reta y'Uburundi,** yashikirijwe n'umushikiranganji w'amagara y'abantu no kurwanya Sida

Ihangiro ry'urwo rupapuro rw'amasezerano y'umwumvikano ni ugukomeza no guteza imbere ugufashanya mu gisata c'amagara y'abantu n'ubuhinga mu vyo kuvura, bifatiye ku bucuti buri hagati y'ivyo bihugu bibiri.

Izo mpande uko ari zibiri, zizofashanya mu guteza imbere ibisata bikurikira :

- Gukinga no gusuzuma imigera y'ingwara ;
- Kwigisha abahinga (spécialistes) mu vy'ukuvura ;
- Gukinga ingwara zitandukira ;
- Gukingira abavyeyi bibarutse n'abana, n'ibindi.

Inama nshikiranganji imaze kwihweza akunguko kari muri ayo masezerano y'umwumvikano, yarayemeje.

6. **Urwandiko rwerekeye ukwongereza umutahe mw'Ibanki ijejwe guteza imbere uburaro mu Burundi,** rwashikirijwe n'umushikiranganji w'ikigega ca Reta na gutunganya imigambi y'iterambere.

Ikigega kijejwe guteza imbere uburaro mu bisagara cashinzwe mu mwaka w'1989, umutahe waco ukaba wangana n'imiliyoni ijana z'amahera y'amarundi washizwemwo na Reta y'Uburundi. Ico kigega cari gifise umurimo wo kuronsa uburaro abakozi ba Reta n'abo mu mashirahamwe yegamiye Reta.

Kuva mu mwaka w'1993, hari ivyahindutse ico kigega gisangirwa na Reta n'abigenga, umutahe uraduga kugera ku miliyoni amajana ane n'icenda (409) zisangiwe n'abanyamitahe cumi na bane (14).

Muri iki gihe, ico kigega gifise umutahe ugera ku miliyaridi cumi na zitatu miliyoni amajana icenda na mirongo itatu na zitanu ibihumbi amajana atandatu na mirongo indwi na bitandatu n'amajana abiri na mirongo icenda n'ane z'amahera y'amarundi (13 935 676 294 ) z'amahera ya'amarundi, usangiwe n'abanyamitahe mirongo ibiri n'indwi (27), Reta ikaba ifisemwo ibice mirongo itandatu n'indwi kw'ijana birenga gatoyi (67,08 %) .

Mu ntumbero yo guteza imbere uburaro, Reta yarasavye ko ico kigega gihinduka kikaba ibanki, kugirango vyorohe kwegeranya uburyo.

Ivyo navyo vyarabaye muri uyu mwaka, kuko ico kigega cahindutse Ibanki ijejwe guteza imbere uburaro mu Burundi, ikaba mbere yaremerewe n'ibanki nkuru y'igihugu.

Ni muri iyo ntumbero iyo banki nshasha yipfuza kurondera uburyo kugirango iduze umutahe, uve ku miliyaridi cumi na zitatu uje ku miyaridi mirongo ibiri , ayo mahera akazotangwa n'abanyamitahe basanzwe barimwo n'abandi bovyipfuza.

Kubera Reta y'Uburundi ari yo yatanguje ico Kigega kandi ikaba ariyo mu nyamutahe mukuru, birakenewe ko yoduza umutahe wayo mu gushiramwo amahera y'amarundi agera ku miliyaridi zine na miliyoni amajana atandatu na mirongo icenda na zitanu ((4 695 600 000) kugirango igumanemwo ibice mirongo itandatu n'indwi kw'ijana (67%) n'imiburiburi, gurtyo igume iserukiwe bikwiye mu rwego nshingwantwaro.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino urwo rwandiko, yarashigikiye ico ciyumviro ica isaba ibi bikurira:

- Reta ntiyamenyeshejwe n'abayiserukira muri ico Kigega ingene igikorwa co guhindura ico Kigega kikaba Ibanki kiriko kiragenda kandi ariyo ifisemwo umutahe munini ;
- Birakenewe ko hamenyekana abafise uruhara muri uko kutamenyesha Reta ibiriko birakorwa mu guhindura ico Kigega kikaba Ibanki ;
- Harakenewe urwandiko rw'ido n'ido ry'ingene ico gikorwa co guhindura ico kigega kibaba Ibanki cagenze;
- Ni ukuraba neza ko umurimo ico kigega cahamagarirwa wo kugwiza uburaro wagumye ari wawundi naho cahindutse kikaba ibanki ;
- Ni ugukora ibishoboka iyo Banki ikaguma iteza imbere uburaro mu kugabanya inyungu ku madeni izotanga ntihave ikora nk'ayandi mabanki y'ubudandaji ;
- Ni kuraba neza ko abakozi bahora bakora muri ico kigega bafise ubumenyi n'ubushobozi bisabwa kugirango bakore mw'ibanki.

Umushikiranganji ajejwe kugwiza uburaro yasabwe gutunganya amategeko agenga iyo banki no gushira mu ngiro ivyo inama nshikiranganji yashikirije.

7. **Urwandiko rujanye no gutanguza Ishirahamwe rijejwe gutumatumako amakuru ku buhinga bwa none aha mu Burundi (Société de Télédiffusion Numérique du Burundi (STNB)**, rwashikirijwe n'umushikiranganji ajejwe

kumenyesha amakuru, ubuhinga bwa none bwo gutumatumanako amakuru n'ibimenyeshamakuru.

Reta y'Uburundi n'ishirahamwe ryo mu gihugu c'Ubushinwa StarTimes Communication Network Technology Co Limited barumvikanye gushinga ishirahamwe rijejwe gukoresha no kubungabunga umuhora wo gutumatumanako amakuru ku buhinga bwa none Reta y'Uburundi yashizeho, no kuriha ideni Reta yafashe mu kuwushiraho.

Iryo shirahamwe ryarashinzwe mu mwaka w'2015, ariko gushika uyu munsi ntirirakora kubera ata nzego zirashirwaho.
Amategeko agenga iryo shirahamwe ashinga umutahe waryo ku rugero rwa miliyoni ijana na mirongo itanu z'amahera y'amarundi, Reta y'Uburndi ikaba ifisemwo ibice mirongo ine kw'ijana(40%), Startimes nayo ikaba ifisemwo ibice mirongo itandatu kw'ijana (60%).

Uwo muhora watunganijwe ku ngurane Reta y'Uburundi yafashe ingana na miliyoni mirongo itatu na zibiri n'ibihumbi amajana atandatu (32 600 000) z'amadolari y'Abanyamerika.

Birakenewe ko iryo shirahamwe ryotangura gukora kugirango ibikoresha bihari kuva mu 2016 ntibabandanye vyononekara.

Uru rwandiko rurekana ingene ikibazo cifashe, ivyakozwe kugirango ico kibazo gitorerwe umuti, n'urupapuro rw'inzira rwerekana ingene ibintu vyogenda kugirango iryo shirahamwe ritangure gukora koko.

Rurerekana aho izo impande zibiri zitarumvikana, rukerekana n'icokorwa, naho hakaba ari kuri ibi bikurikira :

- Kugabura ibibanza mu rwego nshingwantwaro no mu buyobozi bukuru bw'iryo shirahamwe rijejwe gukoresha no kubungabunga umuhora wo gutumatumanako amakuru ku buhinga bwa none ;
- Uburyo iryo shirahamwe rizotanguza ;
- Amasezerano hagati ya Reta y'Uburundi n'iryo shirahamwe rizoba rijewe gukoresha uwo muhora.

Mu guhanahana ivyiyumviro kuri urwo rwandiko, Inama nshikiranganji yashikirije ibi bikurikira:

- Birakenewe ko iryo shirahamwe ryotangura gukora mu maguru masha;
- Ni ngombwa ko hasuzumwa ko umutahe washizwe n'izo mpande zibiri muri iryo shirahamwe ukwiye kugirango ritangure gukora, bikenewe wongerezwe ;

- Ni ukuvugana neza ibijanye no kugabura ibibanza haba mu rwego nshingwantwaro canke mu buyobozi bukuru bw'iryo shirahamwe Reta ntihave igungwa;
- Ni kuraba neza mu kugabura inyungu, Reta y'Uburundi ntitakaze ivyo itegerezwa kuronka kuko uwo muhora washizweho ku ngurane yasavye yonyene;
- Birakenewe ko hoshirwaho umugwi w'abahinga boraba neza ico umw'umwe wese yatanze mu gushinga iryo shirahamwe n'ingene cakoreshejwe, no kuraba ingene ishirahamwe StarTimes ryakoresheje ingurane Reta yafashe mu gushiraho uwo muhora;
- Imboneshakure y'igihugu izotegerezwa kuguma ibona naho ata mahera azoba yarishwe.

**8. Mu tuntu n'utundi**,

Umushikiranganji ajejwe indero n'ubushakashatsi yarashikirije urwandiko rujanye n'amanota azofatirwako muri uyu mwaka, mu kwinjira mu mashure akurikira ishule shingiro.

Yamenyesheje ko hafatiwe ku manota mirongo icenda ku majana abiri (90/200), ni ukuvuga mirongo ine n'atanu kw'ijana (45%).
Yaranashikirije n'ibisabwa kugirango umunyeshule ashobore kuja mw'ishure rifise uburaro, mu mashule y'akarorero, be n'amashule y'imyuga.

Inama nshikiranganji yasavye ko ku bijanye n'igitigiri c'abanyeshule mw'ishure imwe, hofatirwa ku gitigiri ca mirongo itanu (50) kugirango n'aboba batashoye kwunguruzwa bafise uburenganzira bwo gusubiramwo umwaka baronke aho biga.
Iyo ntumbero nshasha ifatiweko, igitigiri ca 45% cafatiweko kirashobora kugabanuka gatoyi.

Bujumbura , igenekerezo rya 26 Myandagaro 2021

Umunyamabanga Mukuru wa Reta akaba n'Umuvugizi wayo

Prosper NTAHORWAMIYE